Ontario

Ababanyi, Abagenzi n'Imiryango

Ukuntu Abagore bahahajwe bogira integuro yokwikingira

Ababanyi, Abagenzi n'Imiryango

Hari ingorane ufise' n'umugabo wawe, ariko ntuzi ingene wokwikingira cankewo muhunga?

Umuntu ya guhaye uru gwandiko aritayeho umutekano wawe kandi yabonye ko woba ufise ingorane. Arashaka ko umenya ko agushigikiye naho udashobora kubuzaumushingantahe wawe ko aguhahaza, ushobora kungura umutekano wawe n'uw' abana bawe.

Urugwandiko rwerekana ivyo mushobora gukora kugirango muronke umutekano wanyu n'uw, abana banyu, n, ingena mwotegura umugambi wo kumuhunga.

Ababanyi, abagenzi n'Imiryangon'isekeza ryokwigisha abantu ibimenyetso vy'umugore ahahajwe kugirango abo bapfasoni bageramiwe boroherwe kuronka imfashanyo ikwiye.

Abantubose bafise uruhara rwokugerageza kubuza agacinyizo karwirirwa abakenyezi. Mushobora kwegera amashirahamwe ari hafi yanyu kugirango muronke imfashanyo.

Isekeza r ifatanije na Leta ya Ontario nubuyobozi bukuru bw'imibereho yabakenyezi ya Ontario n'umurwi w'abahinga ababanyi, abagenzi n'imiryango biciye mubiro bikuru vyubushakashatsi bw'indero n'amabi akorerwa abakenyezi n'abana.

Ngibi ivyiyumvira tugutererereye bizogufasha kugumana umutekano wawe uriko urahunga

Integuro yokwikingira ni bintu biza imbere waba wiyemeje kuguma aho canke guhunga. Kuteguraumugambi wokwikingira ni kuvuga ko murondera ivyo mwoshobora kugira ngo mwongereze umutekano wanyu n'uw'abana.

Muzosanga mubikurikira ivyiyumviro bishobora kubafasha. Mufate ingingo imwe imwe kandi mutangurire kuyoroshe.

Mwame mwikingira mu gihe mubana n'umuntu yama atata:

- Mubwire umuntu mwizigiyeingesne muhahajwe.
- Mwiyumvire ingene uwo mubana yabahahaje nurugero rwivyo yabakoreye bingana. Ibi bizo bafasha kubona ingorane zibarindiriye mwebwe n'abana banyu hama mufate ingingo mwohunga.
- Mubarire abana banyu ko agahahazo katigeze kaba inyishu naho baba bakunda uwo muntu abahahaza. Mubasigurire ko ataruhara mufise muri ako gahahazo kandi nabo nyene ataribo babitera. Mubigishe ko bikenewe kwikingira mu gihe cagahahazo.
- Mutegure aho muhungira mu gihe vyihuta. Musigurire abana ingene bashobora kuronka imfashanyo, Babwire ko igihe c'amatati batokwisuka hagati yanyu m'ungwano Mutore akajambo kibanga mwumvikanye n'abana kabamenyesha ko hageze ko bagenda canke bakeneye imfashanyo.
- Nti mugahungire aho abana bari kuko uwo mutasi mubana ashobora kubakomeretse nabo.
- Mutegure umugambi woshoboka wo kuva munzu mu mutekano kandi muvyimenyereze n'abana.
- Mu sabe ababanyi, abagenzi n'umuryango bahamagare abashinzwe umutekano mu gihe bumvise induru yerekana ko hariho ibimenyetso vyagahahazo biriko biraba kandi biteho abana banyu mu gihe vyihuta.
- Mu gihe c'amatati egera ahantu biborohera gusohoka ni ngoga kandi ntimuje ahantu hashobora kuba hariho ibirwanisho bishoboka (nko mugikoni mw'ibaziro n'ahantu biyogera).
- Abakubise mwikingire mu maso mukoresheje amaboko kugira ntabakomeretse mu mutwe musobanije intoki. Nti muze mwambare ibintu mwizosi vyomworohera kubanigisha.
- Wame uhagarika imodoka yawe uyirabishije mu nzira izokorohera guhaguruka bitakugoye kandi yame irimwo ibitoro bikwiriye u.
- Wame unyegeza infunguruzo n'itelefone ngendanywa n'amafaranga hafi y'inzira ucamwo uhunze.
- Wamane urwandiko ruriko urutonde rw'amatelefone uzohamagara ukeneye imfashanyo. Uhamagare abajejwe umutekano mu bihe vyihuta. Amazu y'ubuhungiro y'abagore bahahajwe canke ibiro vy'abajejwe umutekano bashobora kugu ha akuma kamenyesha ko ugeramiwe canke itelefone ngendanwa.
- Wame uraba kw'ibigwanisho vyose binyegejwe canke vyavuye mu nzu yanyuv.

Kwitegura kugenda

Ngibi ivyiyumviro tugutererereye nimba utegura kumuhunga:

- Uhamagare abajejwe umutekano canke inzu y'ubuhungiro y'abagore bahahajwe iri hafi yawe. Umenyeshe abakora aho ko ufise intumbero yo guhunga agahahazo kandi ubasabe kugufasha gutegura guhunga. Usabe kuvugana n'uwujejwe umutekano w, umuhinga mu vy', agahahazo k'abagore. (ivyo uvuganye n'uwujejwe umutekano muri ico gihe vyoshobora gutuma haba ibirego kuri uwo mutasi).
- Niwaba wakomeretse, genda kuraba umuganga canke ugende ku bitaro bavura ibyihutirwa (sale d'urgence) kandi umenyeshe abakwakiriye kuri ivyo bitaro ivyagushikiye kandi ubasabe kuvyandika ido n'ido.
- Ushire hamwe inyandiko zikomeye: impapuro zikuranga, amkarata y'ububiko, inyandiko z, imitungo inyandiko za nyuma zerekana amakori ya Canada; imfuguruzo,imiti. Amafoto y'umutasi n'ay'abana bwe, Impapuro z'inzira, amakarata yo kwivuza, impapuro zerekana amatelefone y'abagenzi, n, inyandiko z'ubutungane (akarorero: impapuro zikuranga muri Canada, impapuro z'inzu niba uyifise canke z'uwupangiye, impapuro zerekana ingingo yafatiwe zimubuza kwegera no guhungabanya umutekano).

Kwitegura kugenda

- Ubonye utashoboye kubika izo nyandiko mu nzu kuko utinya ko uwo mutasi yozitora, wiyumvire kuzifotora uzibitse umugenzi wizeye canke ku nzu y'abagore bahahajwe ikwegereye nayo bazokwemera kuzikubikira.
- Urabe userukira amategeko, ugumane ivyemeza uguhahazwa kwawe (akarorero: amafoto, ivyandiko vyerekana ingene wahahajwe, wandike amatariki, ivyabaye, iterabwoba n'amazina y'ivyabona).
- Egeranya amafoto, imiringa, imigufu, impeta n'ibindi bintu ukunda kandi bizimvye, n'ibikinisho vy'abana n'ibindi bibahoza
- Uze urondere ukurabira ibitungwa mu gihe gito kugera ugarutse iwawe. Ubuhungiro bushobora kugufasha kuriyo nteguro.
- Wame wibuka guhanagura telefoni yanyuma wahamagaye kugira wirinde yuko asubira kuyihamagara.

Guhunga umutasi

Ngibi ivyiyumvira tugutererereye bizogufasha kugumana umutekano wawe uriko urahunga :

- Uze usabe abajejwe umutekano, umugenzi, umubanyi canke abantu bo mu muryango kugirango bababerekeze mu gihe muriko murahunga.
- Uvugane n'inzu y'ubuhungiro y'abagore bahahajwe. Hashobora kuba ari ahantu h'igihe gito ariko uwo mutasi atazi.
- Ntuze wigere ubwira uwo mutasi ko ugiye aliko ugende ningoga.
- Tora integuro yihuta mu gihe uwo mutasi amenye aho ugiye.

Umaze guhunga

Ngizi ingingo wofata igihe umwe muri mwe bwe yagiye:

- Ugende ku biro vy'abajejwe umutekano bikwegereye usabe kuvugana n'umuhinga mu byerekeye agahahazo k, abagore.
- Itegure kwerekana inyandiko y, ingingo yafatiwe zimubuza kwegera n, uguhungabana umutekano. Gumana izo nyandiko mu gihe cose.
- Uhe ujejwe umutekano amakopi ajanye n'ubutungane n'ibintu vyose bibaranga.
- Uze urabe ujejwe amategeko canke ibiro bifasha mu vy'amategeko kuvyerekeye ingingo ziborohereza kwikingira no gukingira abana banyu. Umenyeshe ujejwe amategeko ibintu byose vyerekeye urubanza muri sentare mpanavyaha.
- Uhindure ibintu vyose mwari musangiye n'uwo mutasi (akarorero: muganga,amabanki, amakarata musangiye).
- Usabe itelefone itanditswe mu gitabo kizwi c', amatelefone. Ushiremwo mw'itelefone yawe imashine yerekana umuntu aguhamagaye, usabe ko itelefone yawe itaboneka uhamagaye umuntu.
- Umenyeshe ishule y'abana canke ikigo kiraba abana batarageza imyaka y'ishule ingene ibintu bimeze kandi ubahe amakopi y'ivyandiko vyose bikenewe.
- Wame ugendana ifoto y'umutasi n, iy'abana banyu.
- Usabe ababanyi bakurabire abana mu gihe vyihuta, ubasabe ko batelefona abajejwe umutekano mu gihe babonye uwo mutasi.
- Ufate ingingo zo kwikingira ku kazi, iwanyu, no mu kibano. Ntiwibagire kubwira ugutwara ingene ubayeho.
- Iyumvire ahantu uwo mutasi akunda kuja kugirango uhirinde. Akarorero, ugende mu kandi kaguriro canke isoko, canke uhindure isengero.
- Nimba wumva udafise umutekano uriko uragenda wenyene, usabe umubanyi ko yoguherekeza.
- Ntuze usubire muhira i wawe udahagarikiwe n, abajejwe umutekano. Ntugahangane n, umutasi.

Insiguro

(Abagore bahahajwe bashobora guhamagara inomero y'ubuntu ni) Femaide kuri: **1-877-336-2433** Ni inimero ya telephone y'abavuga igifaransa mushobora guhamagara umwanya uwo ariwo wose ku buntu; ku bakenyezi bahahajwe mu ntara ya Ontario. Ku bafise ingorane zo kutumva neza, bashobora guhamagara kuri: **1-866-860-7082**. Ibyo muvugira kuri izo nimero biguma ari ibanga.

Abakorera kuri iyo nimero barashobora kugufasha kugira intumbero y'umutekano n'ukubaronkera ikibanza mu nzu y'ubuhungiro y'abagore bahahajwe canke bakabahuza n, ayandi mashirahamwe ashobora kubafasha muri rusange.

Ku bifuza kuronka izindi nsiguro ku mfashanyo zitangwa na Femaide, muraraba kuri site: **www.briserlesilence.ca** Mutinye kuvyerekeye umutekano wanyu, muhamagare vyihutirwa abajejwe umutekano.

Benshi baba mu ntara ya Ontario bumva ubwoba biberekeye kurwanya agahahazo kagirirwa abakenyezi. Intambwe ya mbere y'urwo rugamba ni ukumenya ibimenyetso bigaragaza ako gahahazo. Mufate ibimenyetso vy'imburi nka nkama. Ku bifuza izindi nsiguro muraraba kuri site: ***www.voisinsamisetfamilles.on.ca***

Ukwezi Kwa Gatatu 2009

Biri kandi muzindi ndimi

Imfashanyo ya Guvernema ya Ontario

KIRUNDI